REPUBLIQUE DU BURUNDI

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général du Gouvernement

ITANGAZO RYA LETA Y'UBURUNDI RIMENYESHA URUPFU GITURUMBUKA RWA NYENICUBAHIRO PETERO NKURUNZIZA, UMUKURU W'IGIHUGU C'UBURUNDI

1. Leta y'Uburundi iramenyesheje n'umubabaro mwinshi Abarundi n'amakungu inkuru y'incamugongo y'urupfu rwa Nyenicubahiro Petero NKURUNZIZA, Umukuru w'Igihugu c'Uburundi rwaraye rubaye kuri uyu wa mbere igenekerezo rya 08 Ruheshi umwaka wa 2020, mu bitaro « Natwe turashoboye » vy'i KARUZI.

2. Hari ku wa gatandatu mw'ijoro rishira ku musi w'Imana, igenekerezo rya 07 Ruheshi umwaka wa 2020 aho Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yumva ko amagara yiwe atameze neza aca aja mu bitaro i KARUZI kwivuza. Twokwibutsako ku musi wa gatandatu igenekerezo rya 06 Ruheshi 2020, Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yari yamye kurorera ihiganwa ry'umupira w'amaboko i Ngozi. Amaze gushika mu bitaro i Karuzi, abaganga baramwakiriye, baramuvura ijoro rica ameze neza, aganira n'abari hafi yiwe. No ku musi w'Imana yiriwe afise amagara meza. Kandi no mw'ijoro yaraye ameze neza. Niho rero ku musi wa mbere imbere y'umutaga yaremba bukwi na bukwi, umutima urahagarara (arrêt cardiaque). Abaganga b'ubuhinga butandukanye bari basanzwe bariko baramukurikirana baciye bakorana vyihuta barakora ibishoboka vyose kugira barabeko bogarura ubuzima bwa Nyenicubahiro ariko ntivyakunze. Imana Mushoboravyose Nyeningabo Imwakire mu bwami bwayo.

3. Leta y'Uburundi irahojeje Abarundi bose, na cane cane umuryango wiwe, kuko igihugu kirabuze Imfura y'Uburundi akaba n'Indongozi y'akarorero mu gukunda igihugu no kugikundisha beneco. Kubera yari akarorero k'abarundi bose mu gushira Imana imbere, Leta y'Uburundi isavye Abarundi bose kuguma batekanye, bafatane munda, bamuherekezanye ibisabisho n'amasengesho menshi.

4. Leta y'Uburundi iramenyesheje yuko mu Burundi bwose kuva uno munsi hatanguye ikigandaro c'iminsi indwi aho amabendera y'igihugu azoduzwa gushika hagati.

5. Ku bari mu Burundi n'abaserukira ibihugu vyabo bavyipfuza, Igitabo c'Iteka co kumusezera kirategekanijwe ku biro vya Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu vyitiriwe « NTARE RUSHATSI ». Ku Barundi bari mu mahanga n'abanyamahanga bavyipfuza, ico gitabo bagisanga mu Buserukizi bw'Uburundi .

6. Ibikurikira muzobimenyeshwa hanyuma.

Bigiriwe i Bujumbura, 09 Ruheshi 2020

UMUNYAMABANGA MUKURU WA LETA

AKABA N'UMUVUGIZI WAYO

Prosper NTAHORWAMIYE

REPUBLIQUE DU BURUNDI
SECRETARIAT GENERAL DU GOUVERNEMENT
PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE